
# Bibiliya y'Abana
## Ishikirije



# Salomo, Umwami W'ubwenge


Yanditswe na: Edward Hughes

Amashusho ashirwamwo na:
Lazarus; Alastair Paterson

Itunganywa na: Ruth Klassen

Isobanurwa mu Kirundi na:
Manurakoze Pacifique



Yateguwe na: Biblefor Children
www.M1914.org




©2024 Bible for Children, Inc.
Uburenganzira: Murafise uburenganzira bwo kwimura canke gusohora ku mpapuro iyi nkuru mugihe gusa mutayigurisha.




Umwami Dawidi yari umuntu w'Imana ahambaye cane. Kunganji yiwe Isirayeli yarakomeye incuro cumi gusumba igihe co kunganji y'umwami Sawuli. Ariko ntiyashobora gutwara igihe kirekire cane. Dawidi yari ashaje. Arushe! Kandi arwaye! Ubuzima bwiwe bwo kw'isi buca burahera.






Umwe mubana biwe yitwa adoniya, aca abwira ab'isirayeli ko ariwe azoca aba umwami. N'aho izina ryiwe Risigura "Imana ni Umwami wanje", Adoniya ntiyari umuntu mwiza. Yagerageje kwiyimika kungoma, yibaza ko se Dawidi ashaje cane atoshobora kumurwanya. Ariko Imana yari ifise iyindi migambi.

3

Umugore wa Dawidi, Batisheba yari azi ko umuhungu wiwe Salomo azoba umwami. Aca aja kumenyesha Dawidi imigambi ya Adoniya. N'aho yari arwaye, Dawidi aca akoranya abaganwa biwe bose aca amenyesha k'umugaragaro ko Salomo ari umwami wa Isirayeli.



4

Salomo ntangorane yagiriraniye na Adoniya kuko ab'isirayeli bose bari bafitiye icizere Dawidi. Dawidi nawe yari yamaze kubwira ab'isirayeli ko Salomo ariwe Imana yatoranije ngo abe umwami wabo. Haheze igihe gito, Dawidi aca arapfa.



5



Imbere y'uko Dawidi apfa, yigishije Salomo kwumvira Imana n'ingene yoba umwami mwiza. "Ugendere munzira z'Uhoraho, niho ivyo ukora vyose bizogenda neza", Dawidi abwira umuhungu wiwe. Yari impanuro nziza cane! Maze Salomo aca yicara kuntebe y'ubwami ya se wiwe Dawidi, kandi ubwami bwiwe buca burakomera.

6

Ijoro rimwe, i Gibeyoni, Uhoraho yiyerekera Salomo mundoto, hanyuma Imana iramubarira iti, "Nsaba ico ugomba cose ndakiguha." Salomo aca asaba ubwenge kugira ngo abe umwami w'ubwenge. Ivyo uyu mwami yari akiri muto yasavye Imana, vyarayinezereye. Maze salomo aca ahabwa ivyo yasavye ariko kandi Imana ica imusezeranira ko izomuha itunga ryinshi.





7

Abantu ntibatevye kubona ubwenge bwa Salomo. Umusi umwe, haje abagore babiri imbere yiwe bafise umwana umwe. "Umuhungu w'uyu mugore yapfuye mw'ijoro, hanyuma aca amuguza n'uwiwanje," niko umwe muribo yavuze. "Oya! Uwukomeye ni rwanje, uwapfuye nawe niwe rwiwe," niko uwundi mugore yavuze. Ni gute umwami yari gushobora kumenya uwuvuga ukuri muri abo bagore babiri?



8


Maze umwami aca avuga ati: "nzanira inkota." Baca bazanira umwami inkota. Mbega umwami yagira akoreshe iki iyo nkota?
9
Umwami aravuga ati: "Uwo mwana akomeye nimumucemwo kubiri hanyuma igihimba kimwe mugihe umugore umwe ikindi gihimba mugihe uwundi mugore." Hanyuma wa mugore umwana wiwe yari akomeye aca avuga ati: "Yo! Mwami wanje, ni umuhe uwo mwana akomeye, ntumwice."
10
Ariko uwundi nawe avuga ati: "Mwice tumubure twese!"
11
Maze umwami aca avuga ati: "umwana akomeye nimumuhe urya mugore wambere. Niwe nyina wiwe." Ab'isirayeli bumvise urwo rubanza umwami yaciye, baca baramutinya kuko babonye ko arimwo ubwenge bw'Imana.
12
Ubwoko bwa isirayeli nta ngoro bari bafise ngo batazire Imana. Igihe Dawidi yagira umugambi wo kuyubaka, Imana yamubwiye iti: "Umuhungu wawe azonyubakira inzu mw'izina ryanje."
Maze Salomo aca atangura kwubaka ingoro nziza i Yerusalemu.
13
Ivyo vyamaze imyaka indwi kugira ngo iyo ngoro bayiheze. Ariko umusi uhambaye urashika aho abantu bose baza kwumviriza ingene Solomo ashikiriza
iyo ngoro Uhoraho.
14


Inyuma y'isengesho ryiza, Umwami n'ab'isirayeli batanga ibimazi vyishi kandi uca uba umusi mukuru wamaze amayinga meshi!
15
Inyuma y'ivyo, Imana isubira kwiyereka Salomo kandi ica imusezeranira ko izomuhezagira, hamwe n'ihanga rya isirayeli nibabandanya bumvira Imana.
16
Ikibabaje, ari salomo canke ab'isirayeli ntibabandanije bumvira Imana. Umwami salomo aca arongora abagore beshi Imana itashaka ko arongora. Abo bagore b'abapagani baciye bahindukiriza umutima wiwe mubigirwamana, kandi ntiyabaye agishimwa n'Imana nk'uko se Dawidi yashimwa n'Imana.
17
N'aho umwami salomo yononye amahirwe yiwe yo kwumvira Imana, umwe mungabo ziwe Yerobowamu yabikoze neza muburyo butangaje. Umuvugishwa n'Imana yamubwiye ko Imana igiye kugabura ubwami bwa salomo kandi ko Yerobowamu azoganza imiryango cumi muri cumi n'ibiri.
Yerobowamu aca ahungira muri Egiputa.
Yari azi ko salomo yoca amwica amugararije.
18
Munyuma Salomo arapfa.
Umuhungu wiwe Rehobowamu aca atangisha ab'isirayeli amakori arusha ayo se salomo yahora abatoza. Imiryango cumi ica iragarariza maze ica itora Yerobowamu ngo ayibere umukuru. Ubwami bwa salomo buca bwicamwo kabiri, nkakumwe umuvugishwa n'Imana yari yarabivuze. Imana ntishobora guhezagira abatayumvira.
19
Salomo, Umwami W'ubwenge
Inkuru ivuye mw'Ijambo ry'Imana, Bibiliya
tuyisanga muri
1 Abami 1-12
"Guhishurirwa amajambo yawe kuzana umuco, guha abatungu ubwenge." Zaburi 119:130
20




22

60



Iyi nkuru ya bibiliya itubwira kuvyerekeye Imana yacu y'igitangaza yaturemye kandi igashaka ko tuyimenya.

Imana irazi ko twakoze ibibi, arivyo yita icaha. Igihano c'icaha ni urupfu ariko Imana iragukunda cane yarungitse umwana wayo w'ikinege, Yesu, gupfa ku musalaba kugira ahanwe kubw, ivyaha vyawe. Hama Yesu asubira kubaho aca agenda I muhira mw'ijuru. Niwizera Yesu ukamusaba aguharire ivyaha vyawe, azobikora. Azoza abe muri wewe, hama uzobana na we ibihe bidashira.

Niwizera uko ni ukuri, bwira Imana ibi:
Yesu mwiza, ndizera ko uri Imana, kandi wacitse umuntu ugapfa kubera ivyaha vyanje, hama ubu ukaba uri muzima. Rero ingo mu bugingo bwanje hama uharire ivyaha vyanje, kugira ngire ubugingo bushasha, hama umunsi umwe nze mbane na we ubugingo budashira. Mfasha kugira ndakwumvire kandi mbeho ku bwawe nk'Umwana wawe. Amen.

Soma bibiliya hama uvugane n'Imana iminsi yose. Yohana 3:16